Bibiliya y'Abana
Ishikirije

Intango y'Umubabaro w'Umwana w'Umuntu

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus

Itunganywa na: M. Maillot; Tammy S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Rémy Christian NTIRURIKURE

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2014 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

IMANA YAREMYE VYOSE! Igihe Imana yarema umuntu wa mbere, Adamu, yabaye mw'Ishamba rya Edeni n'umugore wiwe, Eva.

Bari bafise umunezero
wuzuye mu kubaha Imana
hamwe n'Ubwiza bwayo
gushika umusi
umwe ...

"Mbega
Imana
yarababwiye
kutarya ku biti vyose?"
inzoka ibaza Eva.
"Turashobora
kurya ku vyamwa
vyose kiretse
kimwe,"
arishura.

“Nitwarya
canke tugakora
kuri kirya
camwa, tuzopfa.”
“Ntimuzopfa,”
inzoka
iritwengera.

“Uzoca uhinduka nk’Imana.” Eva yifuza ca camwa co kuri ca giti. Yumviriza ya nzoka aheza ararya ca camwa.

Inyuma y'aho Eva agararije Imana, aca ajana Adamu kurya ca camwa nawe.

Adamu yari
gutegerezwa kuvuga,
“Oya! Singarariza
Ijambo
ry’Imana.”

Igihe
Adamu na Eva bamaze
gukora icaha, bose uko ari
babiri bamenya ko bari gusa.

Bafatanya amababi
y'umusukoni bayikoramwo
agahuzu, barifuka, ...

... baraheza
baranyegera mu gisanze,
bihisha ubwiza bw'Imana.

Mu kayaga ko ku mugoroba Imana iza mw'ishamba (rya Edeni). Yari izi ico Adamu na Eva bakoze. Adamu ashavurira Eva. Eva ashavurira inzoka.

Imana ivuga, "inzoka iravumwe. Umugore azogira ububabare igihe avyara abana."


“Adamu, kubera ko wakoze icaha, isi iravumwe izokwama amahwa n’imigenge. Uzokora uruhe kandi ubire akuya kugira uronke ivyo urya ku musi ku musi.”

Imana ikura Adamu
na Eva muri rya shamba
ry'igitangaza.

Kubera ko bakoze
icaha, baca batandukana
n'Imana itanga
ubugingo!

Imana irema inkota
yaka umuriro
kugira
ibigizeyo.

Imana itegura impuzu mu nshato iha Adamu na Eva. Imana yakuye inshato hehe?

Muri ico gihe, umuryango wari uvutse kuri Adamu na Eva.

Umuhungu wabo wa mbere, Kayini, yabaye umurimyi. Umuhungu wabo wa kabiri, Abeli, aba umworozi.

Umusi umwe Kayini azanira Imana ivyimburwa bimwe bimwe nk'ishikanwa.

Abeli azana intama nziza zirengeye urugero nk'ingabirano ku Mana.

Imana ihimbarwa n'ishikanwa rya Abeli.

Imana ntiyanezererewe ishikanwa rya Kayini. Kayini araheza arashavura cane.

Ariko Imana iravuga,
“wokora ibigororotse,
mbega ntiwokwemerwa?”

Ishavu rya Kayini ntiryamuvamwo. Haciye igihe, bari mu mirima, agwa kuri Abel araheza aramwica!

Imana ibwira Kayini, “mweneso, Abeli, ari hehe?” “Sinzi,” Kayini arabesha. “Mbega mbaye umwungere wa mwene data?”



Imana ihana Kayini mu kumwaka ububasha bwo kurima, iraheza imugira inyererezi.

Kayini ava mu bwiza bw'UHORAHO. Yubakana n'umukobwa wa Adamu na Eva. Bagira umuryango.



Mu gihe gito, abuzukuru n'abuzukuruza ba Kayini bakwira igisagara yatanguje.

Muri ako kanya, umuryango wa Adamu na Eva uragwira ningoga.

Muri iyo misi, abantu babaho igihe kirekire gusumba muri ino misi.

Igihe umuhungu wiwe Seti yavuka,
Eva aravuga, “Imana yampaye
Seti ngo asubirire Abeli.”

Seti yari umuntu yubaha
Imana abaho imyaka 912
kandi avyara abana benshi.

Mw'isi, abantu bahinduka ibigaba nk'uko uruvyaro rwagenda rukurikira urundi.

Impera n'imperuka,
Imana ihitamwo guhonya
umwana w'umuntu
hamwe ...

… ibikoko n'inyoni vyose hamwe.
Imana iricuza icatumye
irema umuntu. Ariko
umuntu umwe
yarahimbaye
Imana …

Uyo muntu
yari Nowa.

Umugabo yamuka kuri Seti,
Nowa yari umugororotsi
kandi ata gasembwa.
Yagendana n'Imana.

Yarongera akigisha abahungu biwe batatu kwumvira Imana.

Ubwo Imana itegura
gukoresha Nowa mu
buryo bw'igitangaza
kandi budasanzwe!

Intango y'Umubabaro w'Umwana w'Umuntu

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya tuyisanga muri

Itanguriro 3-6

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge."
Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi: Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16